www.kidworship.kr

# Yesu arakiza (Ikimuga)

- 6th story -



36Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Abo bose bo muri Isirayeli bamaze kwumva ko Yesu akiza abarwaye, aho agiye hose ishengero ryarakorana. Umusi umwe Yesu aza mu gisagara gito citwa Kaperinawumu. |
| Ishengero | Yesu kristo, icamamare!! |
| Uwuvuga | I kaperinawumu hari umuntu yari yarafashwe n'ubumuga atashobora guhaguruka canke gufungura neza. |
| Ikimuga | Ndababaye. Noshobora gute kuja kuraba Yesu kandi ntashobora n'uguhaguruka?! |
| Abagenzi | Turagufasha!! |




37Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Abo bagenzi b'ico kimuga barakorana bagitwara kuri Yesu. Bakora inderuzo mu biti no mu mitamana. Duza-ho! Du-za-ho! Bakoresha inguvu zabo zose ngo baterurira umugen-zi wabo aho Yesu yari ari. |



38Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Ariko abantu bari barundaniye kuri Yesu ku buryo hadasiga-ra n'inzira. Guca mu muryango ntivyari bishoboka. Iyo bagira amababa, bari kuguruka ariko… |
| Umugenzi umwe | Amababa? Ooh! Mbe iciyumviro ciza!! |
| Uwuvuga | Uvuze?? |
| Uwundi mugenzi | Ego duce hejuru! |
| Uwuvuga | Muti? iki? |



39Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Yoo ncuti… Abo bagenzi burira hejuru kunzu Yesu arimwo hanyuma batangura gutobora! |
| Umuntu wa mbere | (Humvikana urwamo hejuru) Huh! Raba! Igisenge kiriko kirakoroka! |
| Umuntu agira kabiri | Arghhhhhhh! |
| Umuntu agira 3 | Abantu bari mu nzu bose baraba hejuru batangaye. Ba |
| Uwuvuga | bagenzi baboha imigozi kuri ya nderuzo hanyuma bururutsa ca kimuga aho Yesu ari. Buhorobuhoro…buhorobuhoro… |
| Uwuvuga | N'uko wa muntu amugaye ashobora gushikira Yesu. |


40Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | N'uko wa muntu amugaye ashobora gushikira Yesu. |
| | ........................................................................................................ |
| Uwuvuga | Yesu abona ukwizera kw'abo bagenzi b'ico kimuga arabashimagiza. Aca abarira ca kimuga: |
| Yesu | Muhungu, ivyaha vyawe biraharīwe! Haguruka utahane in-deruzo yawe! |
| Uwuvuga | Yesu agihejeje kuvuga, wa muntu atashobora kugenda aca arahaguruka ashimira Yesu. |
| Ikimuga | Yoo! Ehe ndashobora kugenda! Ndashobora gutambuka! Yesu, urakoze cane! Urakoze!! |
| Uwuvuga | Wa muntu yari yaramugaye araninahaza aha icubahiro Imana. Aca afata ya nderuzo yiwe arataha. Abantu bose babibonye baratangara nabo bahimbaza Imana. |